Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°783 15 Nzero 2023

# Gusubira gufatanya urugendo inyuma y'ikiza ca Covid 19 ngo dukomeze inzira y'amahoro

***Ijambo rishikirijwe na Nyenubweranda Papa Fransisko ku musi mpuzamakungu ugira uwa 56 wahariwe amahoro, ku wa mbere Nzero 2023***

**Ntawushobora kwikiza ari wenyene.**

**Gusubira gufatanya urugendo inyuma y'ikiza ca Covid-19 ngo dukomeze inzira z'amahoro.**

« Na vyo ivy'ibihe n'imisi ga benewacu, ntimukeneye kuvyandikirwa. Namwe nyene murazi neza ko Umusi w'Umukama uzoza nk'igisuma mw'ijoro » *(1 Abanyatesalonika 5, 1-2).*

1. Ayo ni yo majambo umutumwa Paulo yanditse atumirira umuryango w'abakristu w'i Tesalonika kurema mu kurindira guhura n'umukama, amaguru ahagaze neza n'umutima ubona iyi si, maze bagashobora kuraba neza ivy'iyi si ukuntu bigenda bikurikirana. Ninaco gituma naho ibishika mu buzima bwacu bishobora gutera agahinda, tukamera nk'abugaraniwe mu kirombwe c'umwijima kandi gica intege kubera akarenganyo n'ububabare, duhamagariwe kugumya umutima wugurukiye ukwizera, tukizera Imana itwereka ko itatuvirira, ikaduherekezanya urukundo, ikatuemesha mu buruhe tubamwo, kandi na cane cane ikatuyobora mu nzira turimwo. Ninaco gituma Paulo aguma ahimiriza umuryango w'abakristu ngo ugume uri maso, urondera ineza, ubutungane n'ukuri : « None rero, ntidusinzire nka ba bandi, ariko nitwame tugavye kandi twigerere» (1 Abanyatesalonika 5,6).

Ayo majambo ni ayo kudutumirira kwama turi maso, ntitwiyugaranire mu bwoba, mu bubabare canke ngo ducike inkokora, duhave twemera ibintu uko bije, ntidutwarwe n'ugusamara,

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Papa Benedigito wa 16 yarengutse i Bukama



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Impundu y'urweze yaraye isubiriye gusamirana mu muryango w"Abatumwa Buzurizamana........6
o Umwaka mushasha muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura........7
o Ishure ryisumbuye rya Vugizo i Bujumbura ryaraye riramuye imikangara........8
o Abanyamwema barageramiwe........9

# Idominika ya kabiri : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere: *Isaie* 49: 3- 6

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

*(Ngiye kukugira umuco w'intara zose, urukiza rwanje rushike ku mbibe z'isi)*

Umukama yambwiye ati: «Uri umusavyi wanje, Israyeli we, muri wewe nzoninahazwa.» Ubu rero Umukama aravuze, we yambumbiye mu nda ya mama, ngo ndamubere umusavyi, ndamugarurire Yakobo, kugira ngo bene Israyeli batororokanire iwe. Ndaninahaye mu maso y'Umukama, kandi Imana yanje ni yo bukomezi bwanje. Umukama yavuze ati: «Erega kumbera umusavyi avyura ibisata vya Yakobo, akagarura abarokotse b'Israyeli, vyonyene ntibikwiye. Ndakugize umuco w'amakungu, kugira ngo urukiza rwanje rushike ku mpera z'isi.»

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyakorenti 1, 1-3*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umututumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

*(Tubifurije inema n'amahoro akomoka ku Mana, Dawe wa twese no ku Mukama wacu Yezu Kristu)*

Jewe Paulo:
Jewe nahamagariwe kuba umutumwa wa Yezu Kristu nk'uko Imana yabishatse, ndabandikiye ndi kumwe na mwenewacu Sostene, mwebwe Ekleziya y'Imana y'i Korenti, mwebwe abejejwe akabi na Kristu Yezu,mwahamagariwe kuba beranda hamwe n'abo bose iyo bari hose batabaza izina ry'Umukama wacu Yezu Kristu, Umukama wabo n'uwacu.

Tubipfurije imigisha n'amahoro biva ku Mana, Dawe wa twese no ku Mukama Yezu Kristu.


## Inkuru nziza : *Yohani: 1, 29-34*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Jambo yarigize umuntu abana natwe. Abamwakiriye bose yabahaye ububasha bwo kuba abana b'Imana.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani:



*(Ng'uyu Umwagazi w'Imana ng'uyu uwukura igicumuro c'isi)*

Bukeye, Yohani Baptista abona Yezu aje amugana, aca avuga ati: «Ng'urya Umwagazi w'Imana, ng'uyu uwukura igicumuro c'isi. Uwo ni we navuze, aho nagira nti: "Mu nyuma zanje, hagiye kuza umuntu anduta, kuko ntarabaho yariho".

Na jewe sinari ndamuzi, yamara naje kubatiza mu mazi ngo amenyekane muri Israyeli.» Yohani arongera avuga ati: «Nabonye Mutima amanuka ava mw'ijuru nk'inuma, maze ahagarara kuri we. Na jewe nyene sinari ndamuzi, ariko uwandungitse kubatiza mu mazi, ni we yambwiye ati: "Uwo uzobona Mutima yururukiyeko akamuhagararako, ni we abatiza muri Mutima Mweranda". None naravyiboneye, ni co gituma nemeje ko uwo ari we yatowe n'Imana.»

# Gusubira gufatanya urugendo inyuma y'ikiza ca Covid-19 ngo dukomeze inzira y'amahoro

*(Bitangurira ku rup.1)*

ntitwihebure, ariko ahubwo tube nk'abararirizi bashobora kwama bari maso bakaba aba mbere mu kubona umutwenzi ukitse, na cane cane iyo ijuru ryirabuye.

2. Ikiza ca Covid-19 caradushoye mu mwijima, kirahungabanya ubuzima bwacu bwa misi yose, kirafutanya imigambi n'izindi ndinganizo z'ubuzima twari dufise, kiratera uruhagarara mu mibano, mbere no mu bari bifise, gituma abantu bajuragirika, kirahitana abatari bake mu bavukanyi bacu.

Duhitanywe n'ico gihuhusi c'ivyaduka tutari twiteze, tukisanga mu gihe kigoye gutahura no ku bahinga, abashinzwe ivy'amagara y'abantu barakoze uko bashoboye kwose ngo bagabanye ububabare bw'isinzi ry'abantu maze babaremeshereze ubuzima, co kimwe n'abarongozi mu vya politike bategerejwe gushinga ingingo zihambaye z'ukuntu ibintu vyotunganywa, maze bagahangana n'ivyihuta.

Uretse ivyaboneka bica bigaragara ku mubiri, ikiza ca Covid-19 cavyariye kazoza ukutoroherwa kwadindije imitima y'isinzi ry'abantu n'imiryango, na vyo bikagira ingaruka nyinshi zinafatiye ku bihe birebire abantu baguma bugaraniwe aho badacaruka, n'izindi ngingo zakuraho ukwishira n'ukwizana.

Ntitwokwibagira kandi kuvuga ukuntu ico kiza cafatiye ahagoye mu vyerekeye indinganizo y'ivy'imibano n'ubutunzi, maze bigaca bigaragaza itunganywa ribi ry'ibintu kw'isi hamwe n'ukutangana kw'abantu.

Ikiza cateye ihungabana ry'ibijanye n'ivy'akazi ku bantu benshi, maze vyongereza rwose ivy'ubunyakamwe, na cane cane kuri ba magara make n'aboro.

Twofatira akarorero ku miliyoni nyinshi z'abakozi batagira amasezerano yanditse y'akazi bari mu bice vyinshi vy'isi. Baciye babura ivyo bokora kandi batagira n'ikindi cobasahiriza muri ico gihe abantu bari bugaraniye aho baba.

Abantu hamwe n'imirwi y'abantu biragora ko batera imbere mu bihe nk'ivyo bituma bumva umengo baratsinzwe, bakagendana amaganya mu mitima yabo. Ivyo bica bigabanura ingoga abantu boshize mu guharanira amahoro, bikavyara indyane mu mibano, ukwiraburanirwa n'ukugwa mu ndyane z'ubwoko butandukanye.

Kubera ivyo, ico kiza carahinduye vyinshi no mu bihugu vyari bisanzwe bitekanye, kigaragaza gurtyo ibihengeri vyinshi vyariho bitaboneka.

3. Imyaka itatu iraheze. Harageze rero igihe co kuzirikana twibaza, tukahakure icigwa, tuhakure ibidukuza, twemere guhinduka, yaba umuntu ku giti ciwe canke imigwi y'abantu. Ni umwanya mwiza wo kwitegurira «umusi w'Umukama ».

Ndamaze kuronka akaryo kenshi ko gushimangira ko umuntu adashobora kuguma uko yari ari iyo aciye mu bihe bigoye.

Umuntu ashobora kubivamwo yabaye mwiza gusumba, canke akabivamwo yabaye mubi rwose. Uno musi duhamagariwe kwibaza tuti: iki gihe c'ikiza catwigishije iki ?

Inzira nshasha twofata kugira ngo ntituzingamire mu mizana y'akamenyero, twitegure gusumba uko twahora, twubake bishasha ni izihe ? Ibimenyetso bitanga ubuzima bikaduha umwizero twoshobora kwubakirako dutera imbere kandi twubaka isi nziza gusumba ni ibihe ?

Tumaze kudoma urutoke ku magara make aranga buri muntu n'ubuzima bwiwe, turashobora kwemeza ko inyigisho nkuru twakuye muri iki kiza ca Covid-19 ari ugutahura mu mutima wacu ko twese turi ba magiriranire tukaba dukeneraniye, ko itunga nyamukuru naho ryononekara n'ingoga ari umuvukano runtu ushingiye ku kuntu twese twamuka ku Mana imwe, kandi ko atawoshobora kwikiza wenyene.

Ni ngombwa rero ko turonderera hamwe kandi tugateza imbere ibijanye n'akarangamutima k'ibiremwa muntu aho biri hose kw'isi, ari na vyo bidufasha guca inzira idutumbereza kuri uwo muvukano w'abantu.

Ikindi cigwa twakuyemwo ni uko kwizera iterambere ugaherezako, ukizera ubuhinga n'ibiranga uru rufatangane rushasha rw'ibihugu kwahavuye kurenga urugero, maze guhinduka uburozi butsimbataza kuba nyamwigendako n'ukwizera ibigirwamana, bituma habura igihagararira ubutungane, ugushira hamwe be n'amahoro.

Muri ino si yacu isigaye inyarutsa ibintu, ingorane zikwiye hose z'ubusumbasumbane, z'akarenganyo, z'ubworo hamwe n'ugukumirwa ziratuma kenshi haba uruhagarara n'amatati, maze hakaviramwo ihohoterwa hamwe n'indwano.

Naho ku ruhande rumwe ico kiza cagaragaje ayo mabi tuvuze, ku rundi ruhande twaranahamenyeye n'ivyiza : hari ukugaruka ku gatima k'ukwicisha bugufi ; ukugabanya umwina w'ivyo turya n'ivyo dukoresha ; umutima mushasha wo gufashanya udukura mu kamenyero ko kuba satuntu twanje ukatwereka ububabare n'ubukene bw'abandi ;

*Ibikur. urup. 12*

# Papa Benedigito wa 16 yarengutse i Bukama

Ku wa 31 Kigarama 2022, isaha zitatu n'iminota 34, niho Papa Benedigito wa 16 yitaba Imana mu kigo c'abiyugaranya citiriwe Bikira muvyeyi w'Ekleziya i Vatikano, aho yari aruhukiye. Yitavye Imana afise imyaka 95. Yashinguranwe iteka ku wa 5 Nzero 2023. Inkuka ya misa yo kumusabira yahererejwe mu kibanza citiriwe Petero mweranda irongowe na Nyenubweranda Papa Fransisiko.

Urwo rubanza rwari rwitabwe n'aba Karadinale 125, Abepisikopi 400 muri abo abashika 17 bari baje bava mu gihugu c'Ubudagi Papa Benedigito wa 16 yavukamwo, Abasaseredoti 4000 n'abakristu bashika ku bihumbi 50 nkuko ikinyamakuru ca Vatikano cabimenyesheje.

Urwo rubanza rwari rwitabwe kandi n'abanyacubahiro harimwo: umukuru w'igihugu c'Ubutariyano Sergio Mattarella, uwo Ubudagi Frank-Walter Steinmeier, umwami w'Ububiligi n'umutambukanyi wiwe Mathilde, umupfasoni w'umwami ari mu karuhuko k'izabukuru mu gihugu ca Espagne, abakuru b'ibihugu vya Pologne, Portugal,Slovene na Hongrie. Ubufarans bwari bwaserukiwe n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati Gerald Darmanin.

N'abaserukira amashengero yemera Kristu nk'uwuserukira idini rya Orthodoxe i Constantinople, Moscou na Chypre niho bari bari ngo bashingire intahe ubumwe bw'abemera Kristu Papa Benedigito wa 16 yerekana. Eka n'abahurikiye mw'idini rya bayahudi bari i Roma n'abaserukira idini rya Islam bo mu Butariyano bari bahishikiye.



Mu nyigisho y'ijambo ry'Imana Nyenubweranda Papa Fransisiko yashimikiye kw'ijambo Yezu yavuze ati: « Dawe mu minwe yawe ni ho nshize umutima wanje.» (Luka 23, 46) amajambo ashingira intahe ukwishira mu bigaza kwa Yezu kw'igihe cose, yihereza Se wiwe. Yezu Kristu yirekuye mu rugendo rwiwe rwo ngaha kw'isi, akemera ishaka ry'Imana rikamuyobora mu kwemera kwikorera ku bitugu vyiwe inkurikizi n'ibimugora vyose kubera Ijambo ry'Imana, gushika naho abona ibiganza vyiwe vyatobowe n'imisumari kubera urukundo yadukunze.

Muri ayo majambo Papa Fransisiko yerekenye ingene mu rugendo rwo ngaha kw'isi, Papa Benedigito wa 16 yagerageje kw'ishushanya na Yezu Kristu yakunze akongera akerekana mu gihe cose yamaze ngaha kw'isi. Umwungere w'intama yaretse umushaha wiwe ugahingurwa n'ishaka ry'Imana gushika naho muri we havyuka igishika nka Yezu Kristu.

Yarabaye Umwungere, nkuko Papa Fransisiko abandanya yerekana akaranga kiwe. Umwungere ni uwo yitanga, yitangira Imana na benewabo. Papa Benedigito yaranzwe n'umutima w'itanga kandi w'igisabisho gihozako, u-mutima wiyubaka mu gacerere hagati y'amayira abiri no kudategerwa. Nk'Umwigisha wiwe Yezu Kristu, yaremeye kw'ikorera ku bitugu vyiwe ubu-ruhe, atakambira igihugu Imana yari yaramushinze.

Papa Fransisiko mu kwerekana ihamagarwa ry'umwungere, yasubiyemwo amajambo Papa Be-nedigito yashikirije mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana mu nkuka ya misa y'igihe yashikira intebe ya Petero mweranda ati: « Ukuba umwungere bisigura u-gukunda, ugukunda bigasigura kwama witeze kubabara. Ugukunda bisigura kandi uguha intama imfungurwa y'ukuri kw'Imana». Benedigito wa 16 yaragaragaje urwo rukundo yakunze Yezu mw'ijambo rya nyuma yavuze ati:« Signore, ti amo» rivuga ngo «Mukama ndagukunda.»

Aheraheza agaragaza umutima w'ubukengurutsi bwabo bose bari baje guherekeza iryanyuma Papa Benedigito ko baje kugaragaza urukundo rutigera rutakara. Ni muri ubwo bukengurutsi yamusezeranye iteka Ati: « Benedigito, umugumyabanga n'umukunzi wa Kristu, ese akanyamuneza kawe ko kuzura mu kumva ijwi rya Kristu ubutakikuvirira n'igihe cose! »

**Papa Benedigito wa cumi nagatandatu ni nde ?**

Papa Benedigito wa cumi nagatandatu yavukiye i Baviere mu gihugu c'Ubudagi mu mwaka wi 1927. Avukira mu muryango ubayabaye w'abakristu baba katolika babushitse. Bamwita izina rya Yozefu Ratzinger.

Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaseredoti mu mwaka wi 1951 hamwe n'uwo bavukana Georg. Yatowe kuba umusubirizi wa Petero mweranda ku wa 19 Ndamukiza 2005.

Tubamenyeshe ko Papa Benedigito yagira uwa 265 mu rutonde rw'abasubirizi ba Petero mweranda akaba abaye uwa mbere imisa yo kumuherekeza ubwanyuma isomwe n'uwamusubiriye ku ntebe.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Gusubira gufatanya urugendo inyuma y'ikiza ca Covid-19 ngo dukomeze inzira y'amahoro

(Bitangurira ku rup.3

umutima wo kwitanga mbere rimwe rimwe urimwo n'ubutwari abantu batari bake berekanye mu kwitanga batiziganya kugira ngo twese dushobore kwogorora muri arya magume yasaba gukwakwanya.

Ivyo twabayemwo vyatuviriyemwo kubona neza ko kuri umwe wese, co kimwe n'imiryango y'abantu canke ibihugu, twese duhamagariwe kwubakira kw'ijambo « Twese hamwe». Kukaba nkako, turi ha-mwe twese mu muvukano no mu gufashanya, niho turemesha amahoro, tugashigikira ubutungane, tugashobora gurtyo kurengera ibihe vy'umubabaro.

Inyishu nyazo twahaye ibibazo vyatewe n'ico kiza ni zo zatumye imirwi y'abantu, inzego z'ibihugu hamwe n'abigenga, co kimwe n'amashirahamwe mpuzamakungu twunga inani zo guhangana n'ingaruka zaco, bigashoboka tubanje kurengera inyungu z'umwe umwe. Amahoro avyawe n'urukundo rwa kivandimwe kandi rutigungirako niyo yonyene ashobora kudufasha kurengera ukuzazanirwa kwa buri muntu, ukw'imibano, ukw'ibihugu n'ukw'iyi si yacu.

4. Mu gihe twariko turishimira ko ibihe bibi vy'ico kiza ca Covid-19 turiko turabirengera, hari irindi bara ryaciye rigwa ku bantu. Twaciye tubona ikindi kiza caduka: iyindi ntambara nayo nyene yogereranywa na Covid-19, mugabo yoyo ivuye mw'ihitamwo ribi ry'abantu.

Indwano yo mu gihugu ca Ukrayina iratikiza inganda ikongereza ukuzazanirwa, kandi atari ku bariko barota umuriro wayo bonyene, ariko ku bantu bo kw'isi yose kuko ingaruka zirandagata kandi zidatora, harimwo n'abo bose, naho boba ba-ba ku bihumbi vy'ibilometero bakorwako n'ingaruka z'iyo ntambara.

Umuntu yofatira no ku karorero nk'ingorane zaciye zaduka mu kubura intete z'ingano canke mw'iduzwa ry'igiciro c'ibitoro.

Ni ko ntiturava vy'ukuri mu kiza ca Covid-19 uko twavyipfuza canke twari tuvyiteze. Ariko iyi ndwano, co kimwe n'izindi ntambara tubona kw'isi biragaragaza itsindwa ry'ubuntu kw'isi yose, atari ku mice y'isi yegwa n'izo ntambara yonyene.

Niko hariho inkingo zahinguwe zo gukinga Covid-19, ariko nta nyishu zifashe ziratorerwa ikibazo c'indwano. Biragaragara ko umugera w'indwano ugoye gutsinda gusumba imigera imunga umubiri w'umuntu, kuko uwo mugera w'indwano wo ntuzanana hanze y'umuntu, uva mu muntu we nyene, mu mutima wiwe wafutanijwe n'igicumuro (raba Inkuru Nziza ya Mariko 7, 17-23).

5. None dusabwe gukora iki ? Ubwa mbere na mbere, ni twemere duhindure umutima wacu kubera ko inyishu z'ibibazo duciyemwo zihuta. Ni ukuvuga ko tworeka Imana, muri iki gihe tubayemwo, ikadufasha gusobanura ivyo twoshingirako mu gutahura isi n'ivyayo.

Ntitwoshobora kuguma turondera gukingira utwibare tw'inyungu zacu, canke utw'ibihugu vyacu, ahubwo dutegerezwa kwiyumvira twihaye ihangiro ry'itunga rusangi, tukumva ko tugize umuryango umwe wugurukiye twese mu muvukano w'abantu bose.

Ntidushobora kubandanya twikingira twebwe twenyene. Harageze y'uko twese twitangira igikorwa co gukiza ihanga ry'abantu hamwe n'isi tubayeko,

Ibikur. ku rup. 12

# Impundu y'urweze yaraye isubiriye gusamirana mu muryango w"Abatumwa Buzurizamana

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 7 nzero 2023, Umuryango w'Abatumwa Buzurizamana warahereje Imana abawo bashikiriza, bamwe indahiro z'ubutumwa, abandi indagano z'ukwihebera Imana.

Inkuka y'imisa y'ayo mateka yahererejwe mw'iparuwase ya Bikinga irongowe na Musenyeri Simoni NTAMWANA ari nawe yatanguje uwo Muryango.

Uwakiriye indahiro n'indagano ni Musenyeri Nesitori NIYOKINDI yari yatumwe n'Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Gitega, musenyeri Bonaventura NAHIMANA.

Abatuye indahiro y'ubutumwa ya mbere mw'Ishami ry'Umuvukano Augustino Mweranda w'Abatumwa Buzurizamana ni urugo rwa Yohani Yakobo BIGIRIMANA na Noela BUKEYENEZA rwo mw'iparuwase Gisozi ya Diyoseze nkuru ya Gitega. Uwashikiriza indahiro burundu ni umupfasoni Supesi Karita HAMISI wo mw'iparuwase Nyabikere ya Gitega.

Abanovisi bo mw'Ishami ry'Ababikira Batumwa ba Bikira Mariya Inabwuzure batanga indagano za mbere ni : Beretila NDAYISHIMIYE avuka mw'iparuwase Ndava ya Gitega ; Letitsiya NIYONGERE w'i Makebuko ya Gitega ; Menedora KANYANGE wo mu Kibumbu ca Gitega ; Nesitora NAHIMANA wo mu Mutoyi wa Gitega ;

Ibikur. ku rup. 6

# Impundu y'urweze yaraye isubiriye gusamirana mu muryango w"Abatumwa Buzurizamana

(Bitangurira ku rup.5

Agata NTAKARUTIMANA w'i Nyangwa ya Gitega ; Purudensiyana IRAKOZE wo mu Mbogora ya Gitega ;Valeriya NIYIZOMPOZA wo mw'i Buraniro rya Ngozi ; Filote IRAMBONA wo mu Ntita ya Gitega na Godeliva NGENZUKUSHAKA w'i Muhanga ya Ngozi.



Ababikira bashikiriza Indagano burundu ni Lehoniya Miburo wo ku Mukenke wa Muyinga ; Sitefaniya HASHAZINKA w'i Bugenyuzi bwa Gitega ; Mariya Faransina KARISHANGA, wo mw'i Shombo rya Gitega ; Bujeniya HAKIZIMANA w'i Bukirasazi bwa Gitega ; Yohana NIYONZIMA w'i Murayi ya Gitega; Kirisina NZOBARINDA w'i Muyinga ; Patirisiya NIBIZI w'i Nyabihanga ya Gitega na Hanyesi NZEYIMANA w'i Murore wa Ngozi.

Mu nyigisho yatanze yitsa ibisomwa vyeranda vy'uwo musi, musenyeri Simoni NTAMWANA yashimikiye ku ngingo imwe muzerekana abahiriwe abaribo Yezu Kristu yashikiririje ahakirurutse tukaba twavyandikiwe na Matayo: « Hahiriwe abagirira ubuntu abandi, kuko nabo bazokugirirwa» (Matayo 5,7).

Ariko imbere yuko ayishikiriza, yabanje gukengurukira Musenyeri Bonavenetura umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega yatanze uburenganzira bw'ugushikiriza izo ndahiro z'ubutumwa n'indagano z'ukwihebera Imana ; akengurukira n'Intumwa yiwe yaje kuzakira hamwe n'abo bose yashinze gufasha ishami ry'Abasaserdoti Batumwa Buzurizamana gukura urwire mu mitima yabo kugira ngo nabo bakure nkuko babwirizwa.

Niko kuduga kw'ijambo yemeza ko ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe ari ubutumwa bwega umuntu wese. Ingwara yatewe n'igicumuro cagiye kirasibanganya ishusho y'Imana mu muntu, nta wundi muti woyivura atari ikigo-ngwe c'Imana.

Ku bantu, nta wundi atari ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe tuvoma muri Kristu. Ni ubutumwa bwerekeye bose. Ni bwo nkingi y'Ekleziya. Ni bwo bwokwubaka kazoza keza k'isi iyo iva ikagera.

Abari baramukanye amateka yabahamagariye kunyurwa n'ukwama bagendera ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, ntibabe abibibwiriza abandi gusa, ahubwo bashimike rwose babe abasuku nyabo b'Ubwuzure bw'Imana n'abantu, babe abuzurizamana n'abuzurizabantu bushitse bihereyeko.

Mu gihe c'agatutu, yarasubiye arakengurukira Imana n'abafashije rwose kugira ngo uwo musi udasanzwe utinde ukunde kuko, kubwiwe ivyashikiye ishami ry'Abasaserdoti buzurizamana vyari vyagize Umuryango nk'isôko ryatobekaye. Nta kwihebura mw'ibanga ry'ukwihebera Imana, ni vyiza kurerwa mu rukundo mu rupfasoni.

Icipfuzo ciwe nuko iryo sôko ryotonganuka rwose, rigasubira kuba ryiza, abarivomamwo bose bagasubira kwiyumvanamwo. Noneho rero aho ibintu bigeze Yezu ariko arabikora, abo imitima yatosekaye nabo nyene baronke aho bavoma amazi y'umusarara.

Abagiye barashikiriza amajambo bose baraseruye akanyamuneza bari bafise ku mutima bemeza ko ari umusi wari urindiranywe igishika cinshi cane.

Vyongeye, baremeje ko uwuri mu Mana atigera ateterwa, bisaba gutenyenya gatoyi.

Ikindi basangije abari aho mu gatutu nuko abubahura abantu ngo barekuriranire babonereho gusubiza hamwe atari abantu b'intaco. Si imburakimazi. Ah'ubwo ni abantu b'imitima ikomereye ubwiza.

Ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe ni inzira ishikana ku kubohoka n'ukubohorana. Ni naco gituma umushingantahe Yohani Yakobo BIGIRIMANA yaserukiye abatuye Indahiro y'ubutumwa n'indagano z'ukwihebera Imana yasavye ko batoba abahererezi.

Yatumiriye imitigiri yose y'abantu kwinjira mu Muryango w'Abuzurizamana, hagwire abatumwa benshi kandi beranda bayaga bakagendera Inkuru nziza y'ukurekjuriranira n'ugusubiza hamwe.

Umusi wasozererewe mu kanyamuneza kenshi abantu biginana bikanahimbara cane mbere ko n'abo mw'Ishami ry'abasaserdoti Buzurizamana bari hafi, bose bawitangiye n'umutima wabo wose hamwe n'abo mu yandi mashami kuva mu nteguro yawo.

**Dismas Ntahomvukiye**

# Umwaka mushasha muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura

Ku wa kabiri igenekerezo rya 3 Nzero 2023, Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yaripfurije umwaka mushasha abasaserdoti, n'abaserukiye abandi bafashabutumwa mu gihugu cose c'Imana ca Ekleziya Muryango iri i Bujumbura. Uyo musi mukuru wabereye muri Paroisse Mvyeyi yitiriwe Bikira Mariya Umwamikazi w'isi Katedrale Bujumbura.

Ihimbazwa ry'uwo musi mukuru ryatangujwe n'inkuka y'imisa yo gukengurukira Imana ku vyiza vyose Diyoseze yagabanye mu mwaka uheze w'2022 biciye ku nema zayo, be no kuyitura umwaka mushasha w'2023 ngo ibandanye yuhira imihezagiro yayo.

Mu nsiguro yiwe, afatiye kw'Ijambo ry'Imana ryo ku musi mukuru w'umuryango mweranda w'i Nazareti, Umwepiskopi Mukuru yarashimye ko abakristu bozirikana kw'ishingiro ry'umurya-ngo ukwiye kubaho urangura ishaka ry'Imana nka Mariya na Yozefu, na ririya umuryango ngo ari wo shingiro ry'Ekleziya, gutyo ishingiro rya Diyoseze.

Mu nyigisho yiwe rero, ibintu bikuru yashimikiyeko ni bitatu, ari zo nkingi z'umuryango:

1. Kumenya ko umuryango ari umugambi w'Imana

2. Kugendera amabwirizwa n'ingeso nziza z'ukwengengana zishimikiye ku rukundo ngo tugume mw'ishaka ry'Imana

3. Kumenya ko ingorane zizokwamaho. Ntizitume dusambura.

4. Kurondera ubuhirwe bw'abawugize

5. Uruhara rw'abakuze mu kurera abana n'abakiri bato mu kubakingira impanuka.

**Ekleziya yacu ihagaze neza, tubwirizwa kwama dukengurukira Imana**

Nk'uko bimenyerewe kandi muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, ku musi nk'uwo karaba akaryo k'ukurimbura ibihe bikuru bikuru vyaranze umwaka, ivy'umuneze-ro n'ivy'umubabaro, be n'ivyarangutse.

Ivyo na vyo nyene vyashikirijwe na Musenyeri Anatole Ruberinyange, icariho c'Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.

Umwepiskopi Mukuru nyene, mw'ijambo yashikirije, yaragarutse kuri ivyo vyaranze ubuzima bwa Diyoseze. Muri rusangi akaba yaramenyesheje ko «Ekleziya yacu ihagaze neza, tubwirizwa kwama dukengurukira Imana».

Yaciye avuga ibituma bitandukanye yashingiyeko yishimira ko Diyoseze ihagaze neza: Diyoseze Nkuru ya Bujumbura ngo ni yo yaje imbere y'izindi zose ku ciza c'abasaserdoti batiwe muri iryo banga muri uyu mwaka, baba abakukira Diyoseze, baba n'abo mu miryango y'abihebeye Imana; eka ngo no mu bihebeye Imana vyagenze ukwo nyene.

Ku ruhande rw'ingo n'imiryango, ngo abakristu benshi barubatse rukristu, gutyo ngo baraba ishingiro rya kazoza k'Ekleziya n'ak'igihugu.

Eka n'urwaruka rwinshi ngo rwarinjiye mu mihari n'imigwi y'ubutumwa, kandi muri rusangi ngo rurerekana ko rukurikirana ivy'Imana n'akanyota kenshi, rutarinze kwingingwa, ico ngo kikaba ari ikimenyetso kiremesha ko Ekleziya y'i Bujumbura ifise kazoza.

Ntiyasize inyuma n'umugwi w'abize, gushika ku ndongozi zo hejuru mu ntwaro y'igihugu, bijukiye kuja barahurumbira inyigisho ndoramana zibafasha kurangura ibikorwa vyabo bashingira intahe Inkuru nziza bisunze akaranga k'abakristu.

Abanje kumenyesha ko ivyo bituma vyose vyerekana ko Diyoseze ihagaze neza biri mu muce w'ivy'ukwemera n'amasabamana, ntiyibagiye no kuvuga n'ibindi bitari bike ku bwiwe ngo vyerekana ko no mw'iterambere rijanisha ukwemera n'ibikorwa, na ho nyene Diyoseze iguma ihagaze neza ku rugero rw'ayandi ma Diyoseze.

**Ekleziya yacu igiye kurangura imigambi myinshi**

Muri iryo jambo ryiwe nyene Umwepiskopi Mukuru yaranamenyesheje n'iyindi migambi yipfuza ko yorangurwa muri uyu mwaka w'2023 utanguye, harimwo n'iyari yarapfunditswe mu mwaka uheze, ariko n'ubu itarahera kurangurwa.

Diyoseze Nkuru ya Bujumbura ngo iripfuza guteza imbere ibikorwa vy'urukundo n'iterambere bikomoka kuri ukwo kwemera.

Aravye ukuntu Diyoseze ngo ifise ba ntahonikora bama baza kuyitura baciye mu maparuwase no muri Caritas, kandi ngo batarira busema, na we nyene atako ari bubagire, Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yamenyesheje ko ariko yiyumvira kuzogisha inama umuryango wa Diyoseze ngo urabe ico wokora kuri ico kibazo, nko gushiraho umusi umwe mu mwaka uhariwe gushigikira ikigega ca Caritas.

Na ho ku rwego rw'imigambi yari yategekanijwe mu mwaka uheze vyasaba uburyo bwunganirwa n'ubwo hanze, yavuze ko bitarakunda nka neza, kuko bakibandanya barondera, ariko ko hari ibigira bikunde, nk'inzu yitiriwe abasaserdoti (bita «Hospice du clergé» mu gifaransa), ariko izoba yugururiwe n'abalayike, kandi izotangura muri uku kwezi kwa mbere, be n'umugambi wa kaminuza, kuko wowo uhuriweko n'ayandi madiyoseze.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ishure ryisumbuye rya Vugizo i Bujumbura ryaraye riramuye imikangara

Kuwa 15 Kigarama 2022, ishure ry'isumbuye rya Vugizo ryari riramutse ritanga impamyabushobozi ku banyeshure barangije igice ca mbere c'amashure y'isumbuye. Mu birori vyatangujwe n'inkuka ya misa igihe c'isaha icenda n'igice (15h30), Patiri yasomye imisa akaba ari nawe yari yaserukiye diyoseze nkuru ya Bujumbura, yarakeje iyo mikangara yari iramutse itera intambwe mu kuronka impamyabushobozi.

Yarabashimiye kuba barumviye impanuro z'abavyeyi hamwe n'abarezi, ati :«Muriteye iteka, murerekanye ko mwarezwe runtu. Muramane uwo mutima wo kubaha n'ugusonera ababakurira nabo musumba. Gutyo muzoba mwiteye iteka muritere n'igihugu cabibarutse.

Nivyo uyu musi abavyeyi banyu bararyohewe n'iyi ntambwe muteye ariko nimutagumana iyo ndero mwerekanye ngaha mugashika hanze mugakora ibidakorwa muzoba mubateye agahinda bazicuza ico babavyariye.

Ariko sivyo tubifuriza. Murabandanye riho mukurikiza indero mwahawe gutyo hazogere ko mushinga urwanyu mukiri abantu bazima.»

Inkuka ya misa irangiye ibirori vyabandanirije kw'ishure ryaho bita kubashinwa ari naho hatangiwe izo mpamyabushobozi.



Foto : Mélance Ndayikeze

Mw'ijambo ry'ikaze ryashikirijwe na patiri HARERIMANA Disimasi asanzwe ari nawe arongoye iryo shure, yabanje gushimira abanyacubahiro, abavyeyi bitavye ivyo birori n'abanyeshure bo bene urubanza.

Yatanguye amenyashako iryo shure rikwije imyaka 58 riramurira uburundi. Ati «Uyu mwaka ryamenyeshe abanyeshure mu kibazo ca Reta ku manota meza cane 85,3% ku banyeshure 120 biga kuri iryo shure abashika 100 bose baratoye ico kibazo.»

Yaciye aha impanuro iyo mikangara ati : «Ni vyo isemo ya mbere murayikukije ariko impinga iracari ndende. Ntimwibwire ngo murahejeje ahubwo mugira mwanzikire mugiye gutangura namwe kwiruka n'ubuzima , mwongera mwiga n'ayandi mashure. Nimushiruke umwete rero mukore. Muvyuke kare mwerekane ko mwahawe ubumenyi bukwiye.

Mushire mu ngiro ivyo mwize. Bizotunezera tubonye ejo muri mu bundi buzima mwateye iyindi ntambwe duhura mutubwira muti mwarakoze kuturera runtu, intambwe tugezeko tiyikesha mwebwe.

Turakeneye kumva ejo mwubatse izanyu muri abashingantahe n'abapfasoni bakarorero. Kuva ubu rero gende mukurikize ivyo twababwiye vyose mubifate nka nkama ntimubisige ngaha kuko nico kiraro muzojabukirako.»

Yasozereye ijambo ryiwe mu gutanga ubushimwe ku banyeshure babaye aba mbere mw'ishure mubisata bitatu biri kuri iryo shure. Munyuma acaha ababaye abambere mu kibazo ca reta gitanga uburenganzira bwo kwinjira muri kaminuza.

Haciye hakurikira uwaserukiye abavyeyi barereye kuri iryo shure. Mw'ijambo ryiwe yagize ati :«Kuri uno musi uri hejuru twagomba dushimire cane abarezi bo kuri rino shure bo bitanze batiziganya bagakora ijoro n'umutaga kugira abana bacu bagere ngaha kuri ino ntambwe. Sinoreka kandi gushimira aba bana bacu bo bemeye bagakurikiza impanuro bahawe n'abarezi, bagakurikira neza ivyirwa bahawe none uyu musi bariko barasarura umwimbu w'ivyo babiriye akuya.

Bariteye iteka bongera bararidutera Imana rugiravyose nibandanye ibakomeza. Nibabandanye bagendera indero nziza mwabahaye n'ubumenyi mwabaronkeje ».

Yarakeje n'abavyeyi kuruhara ntangere bagize mu kwemera bagatubika uwavubi kugira abana babo bashobore kwiga neza.

Munyuma NTUNGANE Laurie yaserukiye abanyeshure baronkejwe impamyabushobozi nawe yarafashe ijambo ati : «Turashimiye abavyeyi bacu bo batwibarutse ba-katurera gushika kuri uno musi. Turazi ko hari aho umwana agora umuvyeyi ariko ntimwadutaye mwaratugumyeko muraduhanura aho vyanse mukatugorora mukadufata ukuboko.»

Murabandanye mutuba hafi nkuko mwama mubikora kuko n'ubu turacari abana bakeneye kurerwa. Yarashimiye kandi abarezi biryo shuri ku kuntu bababaye hafi mukubaha ubumenyi n'indero kavukire mu kubarinda ingeso mbi zose biciye mumpanuro za misi yose batasiba.

Ibirori vyasozerewe nugutanga impamya bushobozi kurabo bose barangije igice cambere c'amashure yisumbuye igihe c'isaha cumi na zibiri n'iminota mirongo itanu (18h50).

Mwomenya kandi ko ivyo birori vyari vyitabwe n'abantu batari bake aho babuze naho bakwirwa munyubakwa bari babateguriye.

*Nintunze Jean De Dieu*
*Yimenyereza mu kinyamakuru Ndongozi*

# Abanyamwema barageramiwe

Iyi si tubayeko irimwo ibibazo vyinshi. Muri ivyo, harimwo uburwayi buyobeye dusanga bwatwadutseko tukisanga ataco turibukore twebwe ubwacu.

NINGABIYE Daniel, n'umwana w'umuyabaga afise imyaka 17 ntabavyeyi afise, yahora yiga mu mwaka w'8 kuri ECOFO Jarama (Buhinyuza, Muyinga).

Akaba ari umwe mubanyamwema barenga 1000 bari aha mu Burundi, avuka ku mutumba Jarama komine Buhinyuza mu ntara ya Muyinga.

NINGABIYE Daniel, nk'uko mubibona ku mafoto, ivyo bivyimba haraheze imyaka 3 abirwaye kuva muri 2020, ariko akaba ataramenya indwara arwaye canke ngo ayibwirwe n'abaganga bagiye baramuvura.

Kuva itariki ya 23/4/2021, niho indwara yatangura kuba ndanse, yarivuje mu bitaro bitari bike vy'intara ya Muyinga na Gitega birananirana.

Kubera ari ntaho nikora, ibijanye no kwivuza yabifashijwemwo n'umugiraneza yagerageje kwitanga arakora ibishoboka vyose, ariko birananirana.

Bahavuye bitura ubushikiranji bwo gufatana munda buca burunganira mu bijanye no kumuvuza.

Kubera ubwo bushikiranganji n'uwo mugiraneza, ubu NINGABIYE Daniel ariko avurirwa mu bitaro CMCK *(Q.Kinido, Bujumbura)* muri Chambre 4.

Nk'uko avyivugira, NINGABIYE Daniel aratera akamo Se Barundi n'Umutambukanyi wiwe ko bogira ico bakoze nk'abavyeyi bakamurokorera ubuzima kuko ubwabo ataco bagishoboye.

Atera akamo kandi abo Imana yahezagiye hamwe n'abo bose bafise umutima w'urukundo kumufasha kugira ubuzima bwiwe burokoke.

BANGIRINAMA Anicet arongoye ishirahamwe ry'abanyamwema ritagira imbibe mu Burundi,



Foto: Chanel HARINGANJI

avuga ko abanyamwema kizira ko bakirwa n'izuba, bisaba ko bakingirwa iryo zuba kuva bakiri bato gushika no mubusaza bwabo.

Ari naco gituma kenshi bakunda kwambara inkofero canke abakenyezi bakagendana umutaka kugira baryikingire ntirishobore gutobora urukoba kuko ariryo rica ribatera kansere.

Bikabonekako rero uwo murwayi NINGABIYE Daniel ashobora kuba yarafashwe na Cancer ishobora kuba yaturutse ku mishwarara y'izuba, kubera kuva akiri muto ashobora kuba atakingiwe bikwiye nk'uko bisanzwe bikorwa kuri banyamwema.



Foto: Chanel HARINGANJI

Iyo ndwara ikaba irwaye n'abandi banyamwema batari bake, bamwe muri bo bakaba barwariye muri Hopital Prince Legent Charles i Bujumbura.

Agatabaza abantu bose bafise ico bokora ahereye kuri Se Barundi, amashirahamwe yigenga, ama Banki hamwe n'abo bose bafise ico boterera kugira bagarukire kuri uwo murwayi.

Ivyo bitaro CMCK kugeza ubu, bikaba vyaratanze uburenganzira k'umurwayi NINGABIYE Daniel kugira ashobore kuja kwivuriza mu bindi bihugu nko muri Tanzania.

Urugendo rwogushika aho muri Tanzania hamwe n'ingene azobaho mu kurindira ko ashobora kuvurwa, bikaba bisaba amafranga agera kumiliyoni zine *(4 000 000F)* mu mafranga y'amarundi.

***Yezu ati: "Nararwaye muransuhuza" Matayo 25, 36***

**Chanel HARINGANJI**



Foto: Chanel HARINGANJI

## Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y'abakozi no kuyajamwo

Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y'abakozi no kuyaja-mwo ni uburenganzira bwa zina mukozi wese. Kutubahiriza ubwo burenganzira ni uguhungabanya agateka kiwe. Ubwo burenganzira butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu atandukanye.

***1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi no kuyajamwo.***

Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi no kuyajamwo, tubusanga mu masezerano mpuzamakungu atandukanye :

* itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* amasezerano mpuzamakungu mu vyerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike,

*amasezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama,

*amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu

*hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yo mu mwaka 1948 yerekeye ubwigenge bwo kuja mu mashirahamwe y'abakozi no gukingira amashirahamwe aharanira ineza y'abakozi.

**a) Mw'itangazo mpuzamakungu :**

Ingingo ya 20 ivuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kuja mu mashirahamwe no mu manama hamwe n'abandi, adahungabanya umutekano. Nta muntu n'umwe ategekwa kuja mu mashirahamwe ku nguvu.

Ingingo ya 23 na yo mu gace kayo ka kane ivuga ko umukozi wese afise uburenganzira bwo kwiyunga n'abandi kugira bashinge amashirahamwe y'abakozi. Arafise kandi uburenganzira bwo kuba umunywanyi wayo kugira aharanire ineza yiwe.

**b) Mu masezerano mpuzamakungu mu vyerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike :**

Ingingo ya 22 mu gace kayo ka mbere ivuga ko, umukozi wese afise uburenganzira bwo kwiyunga n'abandi mu gushinga amashirahamwe, kuyajamwo, no kwiyunga n'ayandi kugira baharanire inyungu z' abakozi.

Agace kayo ka 2 na ko kavuga ko,gushinga no kuja mu mashirahamwe ari uburenganzira butagira akarimbi kiretse ibitegekanijwe n'amategeko bikenewe mu gihugu c'intwaro rusangi, ku bw'ineza y'umutekano w'igihugu canke mu gukingira uburenganzira n'umwidegemvyo vya zina kiremwa muntu.

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace ka 3 ko ibihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye akazi yo mu mwaka w'1948 bidashobora gufata ingingo zihonyanga uburenganzira butegekanijwe n'ayo masezerano ku vyerekeye umwidegemvyo no gukingira amashirahamwe aharanira ineza y'abakozi.

**c) Mu masezerano mpu-zamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama**

Agace "a" k'ingingo y'8 kavuga ko ibihugu vyegwa n'aya masezerano vyiyemeza ko umukozi wese afise uburenganzira bwo kwiyunga n'abandi mu kuja mu mashirahamwe y'akazi kandi akaja mw'ishirahamwe yitoreye ata kindi gikurikijwe atari amateka ngenderwako y'ibihugu kugira akingire, aharanire yongere ateze imbere inyungu ziwe mu vy'ubutunzi n'imibano.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ubwo burenganzira butegerezwa kwubahirizwa,kiretse mu gihe iryo yubahirizwa bigaragaye ko rishobora kuba intandaro y'umutekano muke mu gihugu, canke rikabangamira umwidegemvyo wa kiremwa muntu.

Agace "b" k'iyi ngingo kavuga ko ayo mashirahamwe y'abakozi ashobora kwiyunga akagira urunani mu gihugu cose. Urwo runani rurafise uburenganzira bwo kwinjira mu mashirahamwe mpuzamakungu.

Agace "d" na ko kavuga ko abakozi bafise kandi uburenganzira bwo guhagarika akazi mu gihe babikoze bakurikije amategeko y'igihugu.

Ariko n'aho biri uko, hariho imirwi imwe imwe y'abakozi itarekuriwe ubwo burenganzira bwo guhagarika akazi,abo na bo ni abari mu rwego rw'igipolisi n'igisirikare nk'uko agace ka kabiri k'iyi ngingo y'8 kabivuga.

d) Mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ingingo ya 10 ivuga ko umuntu wese arekuriwe kwiyunga n'abandi mu mashirahamwe yisunze amategeko n'amabwirizwa. Nta muntu n'umwe ashobora gushirwa mw'ishirahamwe ku gahato.

e) Mu masezerano mpuzamakungu yo mu mwaka 1948 yerekeye ubwigenge bwo kuja mu mashirahamwe y'abakozi no gukingira amashirahamwe aharanira ineza y'abakozi.

Ingingo ya 2 ivuga ko abakozi n'abakoresha bafise uburenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe bitoreye ata gahato mu gihe bubahirije ibisabwa n'amategeko.

Ingingo y'8 ivuga ko n'aho abakozi n'abakoresha bafise uburenganzira butegekanijwe n'aya masezerano, bategerezwa gukora bisunze amategeko. Amategeko y'igihugu na yo nyene ategerezwa gushingwa canke gukurikizwa mu buryo budahonyanga uburenganzira bw'abakozi canke bw'abakoresha butegekanijwe n'aya masezerano.

Ibikur. urup. 11

## Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y'abakozi no kuyajamwo

*(Bitangurira ku rup.10)*

Ingingo ya 11 na yo ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje gufata ingingo zose zikenewe kandi zibereye kugira vyubahirize uburenganzira bw'abakozi n'abakoresha bwo gushinga amashirahamwe no kuyajamwo.

Ibi duhejeje kudondagura, biragaragaza ko amategeko mpuzamakungu atandukanye yubahiriza ubunganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi no kuyajamwo. Nico gituma umukozi wese afise uburenganzira bwo kuja hamwe n'abandi mu mashirahamwe y' abakozi kandi mu mwidegemvyo. N'amategeko tugendera ko mu Burundi arubahiriza ubwo burenganzira.

***2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo gu-shinga amashirahamwe y' abakozi no kuyajamwo.***

Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi no kuyajamwo, tubusanga mw'Ibwirizwa nshingiro, mw'ibwirizwa no 1/015 ryo ku wa 29 munyonyo 2002 ryerekeye ingene iyubahirizwa ry'uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi ba Reta no kuyajamwo ritegerezwa kugenda, hamwe no mw'Ibwirizwa no 1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 ryerekeye amategeko agenga akazi mu Burundi .

**a) Mw'ibwirizwa nshingiro :**

Ingingo ya 37 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe aharanira ineza y'abakozi no kuyajamwo hamwe n'uburenganzira bwo guhagarika imirimo bwemewe. Ibwirizwa ni ryo ritegekanya ingene ubwo burenganzira bwubahirizwa kandi rigashobora kubuza imigwi imwimwe y'abakozi ubwo burenganzira.

Agace ka kabiri k'iyi ngingo karavuga ko uko biba kose,inzego z'umutekano no kwivuna abansi, birabujijwe kubaronsa ubwo burenganzira.

**b) Mw'ibwirizwa no 1/015 ryo ku wa 29 munyonyo 2002** ryerekeye ingene iyubahirizwa ry'uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y' abakozi ba Reta no kuyajamwo ritegerezwa kugenda.

Nk'uko ngingo ya 2 y'igice c'7 ibivuga, nta ruhusha abashaka gushinga ishirahamwe ry' abakozi bashaka kugira iryo shirahamwe ry'abo ritangure gukore. Ariko n'aho biri uko, ingingo y' 9 y'ico gice ivuga ko, abashinze iryo shirahamwe ry' abakozi, bategerezwa gutwara mu bushikiranganji bw'abakozi n' akazi amategeko agenga iryo shirahamwe, urutonde rw'abanywanyi, hamwe n' amazina y' abagize urwe-ngo nyobozi baryo.

Ingingo ya 4 na yo ivuga ko, ishirahamwe ry' abakozi ryugururiwe umukozi wese avyiyumvamwo kandi akeneye kurivamwo aragenda nta-we arinda gusaba.

Ingingo y'7 ivuga ko,iyo bigaragaye ko mu buron-gozi bw' ishirahamwe ry' abakozi harimwo ukutumvikana, ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo abakozi n' akazi, buca bwitura sentare ntahinyuzwa mu gisata c' ayo gica imanza za Reta igatorera inyishu ikibazo.

Agace ka kabiri k' ingingo ya 23 ya rino bwirizwa kavuga ko, mu gihe ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo abakozi n'akazi bubababakozi ritariko rikora ryisunga ibitegekanijwe muri rino bwirizwa, bu-ca bwitura igisata gica imanza za Reta ca sentare ntahinyuzwa kigahagarika ibi-korwa vyaryo.

**c)Mw'Ibwirizwa no 1/-11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020** ryerekeye amategeko agenga akazi mu Burundi.

Ingingo ya 24 ivuga ko umukozi wese ndetse n'umukoresha, bafise uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe,no guharanira inyungu zabo babicishije muri ayo mashirahamwe . Abahurikiye mu mashirahamwe y'abakozi, ni bo bishiriraho amategeko abagenga, n'urutonde rw'ibikorwa bazorangura.

Ingingo ya 25 ya rino bwirizwa na yo ivuga ko, uburenganzira bwo kuja mu mashirahamwe y' abakozi butanga kandi uburenganzira bw'abakozi bwo kuganira n'abakoresha babo kubitagenda neza mu kazi, bakaba bafise n'uburenganzira bwo kugondoza umukoresha harimwo no guhagarika akazi hisunzwe amategeko.

Ingingo y'500 na yo ivuga ko uburenganzira bwo guhagarika akazi ari ubwo umukozi wese, yaba umunywanyi w'ishirahamwe ry' abakozi canke atari we, mu gihe iryo hagarikwa ry'akazi rikurikije amategeko.

Ingingo y'503 ivuga ko, abakozi bategekanya guhagarika akazi, bategerezwa kugabisha umukoresha mu kiringo c'imisi 6, bakamenyesha n'imvo nyamukuru itumye haba iryo hagarikwa ry'akazi.

Ingingo ya 505 ivuga ko, no mu kiringo c'uguhagarika akazi, ibiganiro ku mpande zompi bibandanya, kandi abakozi bategerezwa kuguma bakora akazi kabayabaye.

Mu gusozera, tubamenye-she ko n'aho uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe y'abakozi no kuyajamwo ari uburenganzira bwa zina mukozi wese, ayo mashirahamwe bigaragaye ko ivyo ariko ararangura binyuranye n'amategeko agenga a-mashirahamwe y'abakozi, inzego zibifitiye ububasha zica zihagarika ibikorwa vy'ayo ma-shirahamwe.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Gusubira gufatanya urugendo inyuma y'ikiza ca Covid 19 ngo dukomeze inzira y'amahoro

*(Bitangurira ku rup.5)*

ivyo tukabishikakako mu kwubakira ku mushinge w'isi irangwa n'ubutungane ikaremesha amahoro, ikaba irajwe ishinga n'ukurondera itunga ryoba rusangi vy'ukuri.

Kugira ngo tubishikire twongere tubeho neza tumaze kwogorora muri ico kiza ca Covid-19, hariho ikintu gihambaye tutokwibagira : hari vyinshi vyagiye birasenyuka kandi vy'urufatangane mu bijanye n'ivyiza vy'akarangamutima, ibijanye n'imibano, politike n'ubutunzi.

Ivyo twibaza ngo ni ingorane za muntu dusanga ahubwo ari zo zivyara izindi ngorane canke zikaduka zivyawe n'izindi. Duhamagariwe guhangana n'izo ngorane z'isi dushizemwo ubutwari n'umutima w'ikigongwe.

Dutegerezwa gusubira kuraba ko ukubungabunga amagara bishikira bose ; tugakora ibishoboka vyose ngo turemeshe amahoro, gurtyo amatati n'intambara bibandanya kwiha inkumbi n'ukwongereza ubworo bihere.

Nitwiteho kuja inama n'ingingo mu vyo kubungabunga inzu ya twese dushinga ingingo n'imigambi idufasha guhangana n'ihindagurika ry'ibihe; turwanye umugera w'ubusumbasumbane mu bantu, ahubwo dutunganye ukuntu umuntu wese aronka ivyo afungura akagira n'akazi kamuhesha iteka ku buryo dushigikira barya bataronka n'agahembo kobatunga bo n'ababo, maze bakama mu mananiza yo kubaho.

Ibara ry'imice y'abantu bishwe n'inzara riratubabaje ku mutima. Twifashishije indinganizo za politike zibereye, dutegerezwa kurondera ingene twakira kandi tukaremesha ubuzima, na cane cane ubw'abimukira n'abo bose babayeho nk'ibicibwa mu mice tubayemwo.

Mu kwitanga mu bihe nk'ivyo, tubitumwe n'umutima wo kubabara abandi umurikiwe n'urukundo ntangere kandi rw'ikigongwe rw'Imana ni ho duzoshobora kwubaka isi nshasha, gurtyo tube turiko turaterera mw'iyubakwa ry'Ubwami bw'Imana, nabwo bukaba ari ubwami bw'urukundo, bw'ubutungane n'amahoro.

Mu kubashikiriza ibi vyiyumviro, ndipfuza ko muri uwu mwaka mushasha twoshobora gufatanya urugendo tuzirikana ico ivyo duhejeje gucamwo vyatwigishije.

Ndipfurije ivyiza Abakuru b'ibihugu n'ab'amaleta, abatware b'inzego mpuzamakungu, n'abarongozi b'amadini n'amashengero atandukanye.

Abantu bose b'umutima mwiza, ndabipfurije kwubaka umwaka mwiza buri musi nk'abaharanira amahoro! Mariya yasamwe ata gicumuro ari we nyina wa Yezu akaba n'umwamikazi w'amahoro n'atubere mu ngoro twebwe n'isi yose.

Iri Jambo ritangiwe i Vaticano, igenekerezo rya 8 Kigarama 2022

Papa Fransisko

***Ndongozi y'Uburundi***

---

# Ibicumuro 12 biranga ubutegetsi bubi

*Ivyo bicumuro vyashikirijwe na Petero Claveri Ndayicariye umuhinga mu vy'intwaro, ubu akaba ariwe arongoye umurwi w'igihugu ujewe gutohoza ukuri ku vyabaye mu Burundi no kurekuriranira (CVR). Hari mu mwiherero w'indongozi z'Umugambwe CNDD-FDD, wari wabereye mu ntara ya Kayanza, ku wa 04/01/2023..*

Ivyo bicumuro ngo ni vyinshi. Ariko bikuru bikuru ngo ni:

1. Kwica abanyagihugu urongoye;

2. Kwiba abanyagihugu : kwihagira ubutunzi abanyagihugu babiriye akuya;

3. Kuzivya no kwima ijambo abanyagihugu, kugira ntibavuge ibitagenda neza kandi ntibasabe ivyo bipfuza;

4. Kwiba canke kunyaga igihugu catwibarutse;

5. Gukorera igihugu nk'abacangero;

6. Kubiba amacakubiri mu gihugu no mu mitima y'abanyagihugu;

7. Kutamenya ibihe, kugenda duhumurije, kugaya ibihe no kunebagura ibimenyetso vy'ibihe vy'ihinduka canke vy'amahinduka, canke kugaya abandi;

8. Gutosekaza agateka ka zina muntu;

9. Kubura imbono no gusinzira umukondorazosi ngo amahoro ni umuseseka ra mu gihugu;

10. Kwama hahandi, kurwanya iterambere no kuniga imitavu;

11. Gusaba canke kwama usaba ataco nawe utanga;

12. Kudibama mu butegetsi.

***Patiri Noël Ntirandekura***